**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

*Gitugutu 2023* *kirundi*

# Ntugahengeshanye gutanga !

## Tange, niho namwe muzohabwa!

(Luka 6,38)

Bakunzi ba go4peace,

Burya nawe umusi uri izina warinjiye mu buzima – uri gusa, ata gifasha ugira. Hanyuma iruhande yawe hari abantu bakwitwararika. Bakugirira ivyo bashoboye vyose : abavyaza, abaganga, nyoko wawe, so wawe, umuryango wawe... N'aho utabimenya, abo barakwitangiye. Uko ni ko washoboye kwinjira mu buzima, intambwe ku yindi. Buhoro buhoro waratanguye kuvuga, uramenya ibintu bigukikije ingene vyitwa,urashobora kuvuga uti „mama", na „papa". Niho haheza hakaza n'igihe wiga kuvuga „jewe". Ico gihe warategereye ko uri umuntu. Ko hari ico ushoboye kandi ko na „wewe" ushobora kuyitanga. Waragira ibicapo ukabigabira abantu, ugaheza ugahimbarwa n'uko abo wabigabiye kakumwenyuriye. Waragaba ariko nawe ukagabirwa, waratanga nawe ugaheza ugahabwa! ( Lk 6,38). Waratahuye ingene ari vyiza kuba mu bucuti n'abandi bantu; erega na none ni co twaremewe. Muri iyo „jewe" yari yitanze ikiha „wewe", zompi zavuyemwo „twebwe" ifise ubuzima.

Umusi umwe twahwaniye n'umugabo be n'umugore wiwe aho twariko turanywa agakawa (cappuccino). Umwigeme yahakora niwe yariko aradukenurira. Yasa na mushasha aho hantu kandi afise n'akantu ko gutinya. Yarumvise ko ikiyago cacu gihimbaye, niko kuza arahicisha kenshi atubaza ko ata kindi twoba twipfuza. Nanje igihe cose yahaca, naza ndagerageza kuza ndamuremesha nongera ndamutwenza. Duhejeje kunywa iyo kawa, twaciye dusaba ikinyobwa kiva mu giterwa bita „rhubarbe". Kubera caturyoheye, nca nza mvuga ntera inkuru ko twoca dushinga ishirahamwe ridandaza ico kinyobwa. Ndaheza ndamubaza ko yoshima kuryinjiramwo. Nawe aramwenyura. Imbere yo gutaha naramugabiye ikirangamisi citwa. „Amajambo - ni nk'inyenyeri mu gihe c'umwijima". Yacakiranye umunezero munini. Duhagurutse ngo tugenda, niho yaduhamagara avuga ati: „mwakoze cane ku bugenzi mwanyeretse, none rabe aho ku tuhome!" Ivyo yabivuga atwereka n'urutoke ku ruhome iruhande y'umuryango uja hanze. Emwe, aho niho hari hamanite ca kirangamisi – nk'inyenyeri mu gihe z'umwijima - Ntuhengeshanye gutanga! – Don't stop giving!

Kubwa go4peace, Meinolf Wacker